MFFPS
INC.N°1196951–0

**Mouvement des Femmes et Filles pour la Paix et la Sécurité**

**Ku wa 25 Munyonyo 2025**

# ITANGAZO RY'UMUHARI W'ABAKENYEZI N'ABIGEME BAHARANIRA AMAHORO N'UMUTEKANO MU BURUNDI RIJANYE N'ISEKEZA RY'IMINSI 16 YO KURWANYA AMABI AFATIYE KU GITSINA

Umuhari w'Abakenyezi n'Abigeme baharanira Amahoro n'Umutekano mu Burundi (MFFPS) urifatikanije n'isi yose mw'isekeza ry'iminsi 16 yo kurwanya amabi afatiye ku gitsina. Ni igihe gihambaye cane co gushigikira ijwi ry'abahohotewe no gushira ahabona amabi abandanya gukorwa mu gacerere akica ubuzima bw'abayakorerwa.

Uhereye ku ndyane za politike zo mu mwaka w'2015, igihugu c'Uburundi cagumye mu bibazo vy'urutavanako vyahungabanije ibisata bitandukanye vy'ubuzima bw'igihugu, harimwo n'igisata gikingira agateka ka zina muntu. Ivyo vyose bituma amabi akorwa mu gihugu yiyongera.

Amabi afatiye ku gitsina na yo nyene yaciye yiyongera ku rugero ruteye ubwoba, aha tukavuga cane cane ivyaha vyo gushurashuza ku nguvu abigeme n'abakenyezi, ukubica, ugushurashuza abana bakiri bato hamwe n'ivyaha bikorwa n'abari mu nzego za Leta.

Amatohoza yakozwe n'amashirahamwe yigenga yerekana ko mu myaka cumi iheze, amabi afatiye ku gitsina yiyongereye cane.

Abakenyezi, abigeme hamwe n'abana ni bo ba mbere bakorwako n'ingaruka z'ukubura inzego zikingira vy'ukuri abanyagihugu hamwe no kudahana abakoze ivyo vyaha.

Ivyegeranyo bitandukanye bimaze gukorwa vyerekana ko mu gihugu hibonekeza : iterabwoba, gukoresha igikenye, kudindiza imanza mu butungane, hamwe n'ubwoba bwuzuye mu banyagihugu batubahuka kuvuga ibiriko biraba kuko batinya kugiririrwa nabi. Abagirizwa gukora amabi barimwo Imbonerakure, abapolisi, abakozi b'iperereza, bamwe mu bategetsi bo ku rwego rwo hasi, hamwe na bamwe mu banywanyi bari mu mugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD.

Ukudahana abakoze ivyo vyaha ni yo nkomoko y'ukwiyongera kw'amabi afatiye ku gitsina. Ivyo bigatuma ayo mabi afatwa nk'ibisanzwe, n'abakora ayo mabi bagafata ko ahubwo bari babifitiye uburenganzira.

Ni co gituma Umuhari w'Abakenyezi n'Abigeme baharanira Amahoro n'Umutekano mu Burundi twongeye kwiyemeza kurwanya ayo mabi yose twivuye inyuma, hamwe no kudahana gutuma ayo mabi yongerekana mu gihugu.

MFFPS

MFFPS
INC.N°1196951–0

Mouvement des Femmes et Filles
pour la Paix et la Sécurité

Muri kino gihe c'isekeza ry'iminsi 16 yo kurwanya amabi afatiye ku gitsina, duhamagarira :

- Abategetsi b'igihugu kugarukana inzego zikingira, zikubahiriza uburenganzira bwa kiremwa muntu, zigakora amatohoza adafise aho ahengamiye ku bijanye n'ayo mabi ;
- Inzego z'ubutungane guhagarika ingendo yo kudindiza amadosiye, zigahana vy'ukuri abakora ayo mabi ;
- Amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu kubandanya gushigikira abahohotewe hamwe n'abasanzwe baharanira agateka ka zina muntu ;
- Abanyagihugu kudatinya kuvugira no guharanira umutekano w'abakenyezi, abigeme hamwe n'abana.

Amabi afatiye ku gitsina ntagafatwe nk'ibisanzwe canke ngo yemerwe. Ntidukwiye kubihisha, kubifata minenerwe canke kuvyihanganira.

**Ku bw'Umuhari MFFPS**

**Umushingwamanza Jeanne d'Arc ZANINYANA**

**Umuyobozi nshingwabikorwa**

MFFPS